**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°16 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 07 NDAMUKIZA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 07 Ndamukiza 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Imbere yo gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarakeje Umushikiranganji mushusha ajejwe Indero, ko yizewe akagenwa muri ayo mabanga, aca amwipfuriza ikaze mu nama nshikiranganji.

Yamwipfurije kandi kuroranirwa muri ayo mabanga yo gushira mu ngiro imigambi y'igihugu mu bijanye n'indero, kuko ubwo bushikiranganji aribwo buhamagariwe gusohora abahinga bakenerwa mu bisata vyose vy'igihugu.

Yaramumenyesheje ko Reta ikora mu bumwe no mu kwuzuzanya, ko rero atotinya kubaza mugenziwe ico abona kimuzazaniye canke kimubakiye.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama itegura iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 12 Ntwarante 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Urupapuro rw'inzira be n'amasezerano y'umwumvikano ku bijanye n'iyubakwa ry'isoko ya kijambere mu kibanza cahoramwo isoko nkuru ya Bujumbura,** vyashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

Kw'igenekerezo rya 09 Kigarama 2020, Inama nshikiranganji yarihweje urwandiko rwerekeye igisabo c'ishirahamwe ry'amabanki co kwubaka ikibanza kinini c'idandarizo ahahora isoko nkuru ya Bujumbura.

Inama nshikiranganji yarashigikiye irangurwa ry'uwo mugambi, mu vyo yasavye hakaba harimwo ko abaserukira Reta n'abaserukira iryo shirahamwe ry'amabanki boja hamwe kugirango bumvikane ku rupapuro rw'inzira ( feuille de route) n'ukugene ibikorwa vyogenda birakurikirana, bongere bihe ibiringo ntabanduka vyo gutangura no guheza kwubaka, kugirango iryo soko ritangure gukora kuko Abarundi baririndiranye igishika cinshi.

Urwo rupapuro rw'inzira rwashikirijwe rero, rwerekana ibikorwa bizorangurwa kuva mu ntango gushika iryo soko rya kijambere ryinjiwe icese. Bitegekanijwe ko ibikorwa bizomara ikiringo c'imyaka itanu, ukwinjira iryo soko bikazoba kw'igenekerezo rya 03 Ndamukiza 2026.

Ku vyerekeye ayo masezerano nayo, yerekana ingene ivy'uburyo bitunganijwe n'ibisabwa abegwa n'ayo masezerano, be n'ingene iryo soko rizoba ritunganijwe mu bijanye n'intwaro n'ibindi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro yarazemeje, ariko mu vyasabwe haba harimwo :

- Kwandika urupapuro ndangatongo rwa kirya kibanza kw'izina rya Reta, kwerekana neza uburinganire bwaco, n'igiciro caco;
- Mu gihe co gutera umukono ku masezerano nyezina, ibanki imw'imwe yose yoza ku gatwe kayo ;
- Gusubiramwo ayo masezerano y'umwumvikano, hakajamwo ibikenewe gusa, kuko ido n'ido rizoba riri mu masezerano nyezina ;
- Mu masezerano azoterwako umukono, gutomora ko ico kibanza giharurwa mu mutahe Reta ishizemwo ariko kiguma ari ica Reta.

2. **Integuro y'umugambi wo guteza imbere umwuga wo kwigisha,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Kuva mu mwaka w' 2015, amakungu yihaye ihangiro ku bijanye n'inyigisho, iciyumviro nyamukuru kikaba ari gutanga inyigisho z'akanovera kuri bose, no gufasha kugirango umuntu ashobore kwiga ubuzima bwiwe bwose iyo avyipfuza. Kugirango ivyo bishoboke, bisaba ko haboneka abigisha.

Kuva mu mwaka w' 2006, Uburundi bwari bwaratanguye gutunganya gushasha igisata c'indero.

Harakozwe vyinshi kugirango inyigisho zigire akanovera, aha twovuga nko kwigisha ku buntu abo mw'ishule shingiro, gutunganya gushasha inyigisho kuva mw'ishule shingiro gushika muri za kaminuza, n'ibindi...

Ariko ivyo vyose vyogira akamaro bifise politike nziza yo guteza imbere umwuga wo kwigisha nyayo bishingiyeko . Ni muri iyo ntumbero uyu mugambi wateguwe.

Ushingiye ku nkingi zitatu:

- Gukomeza inyigisho z'intango no gukarihiriza ubwenge abigisha kugirango ubumenyi bwabo bwame buri ku gihe no ku rugero nyarwo n'umwimbu kubo bigisha ube mwiza ;
- Gutunganya neza ingene abigisha bakurikiranwa ku kazi kugirango bashobore kuduza umwimbu;
- Gushira impamyabushobozi z'abigisha ku rugero rwiza .

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, yarawushimye ariko isanga birakenewe ko woherekezwa n'indinganizo y'ibikorwa vyerekana ingene uzoshirwa mu ngiro, be n'uburyo bukenewe, hakarekanwa kandi n'ubusanzwe butangwa mu gisata c'indero.

Iyo nteguro izoheza igarukanwe mu nama nshikiranganji mu kiringo c'indwi zibiri.

3. **Integuro y'itegeko rishinga ibisabwa mu kuja mu nyigisho za kaminuza,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Kwinjira muri kaminuza bigengwa n'itegeko n°100/275 ryo kuwa 18 Gitugutu 2012.

Iryo tegeko ntiryari ryarategekanije abahejeje amashule y'imyuga bipfuza kubandanya amashule ya Kaminuza.
Iyi nteguro rero ije kubugururirira imiryango.

Ije kandi kwugurira imiryango abo mu bihugu bigize ishirahamwe ryo muri Afrika y'Ubuseruko, iyo bakwije ibisabwa kugira binjire muri kaminuza mu bihugu baturukamwo.

Ije kandi kworohereza umunyeshure yipfuza kuva mu gisata yarimwo akaja mu kindi, kandi n'ivyigwa yize iyo avuye bikaguma biharurwa.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/192 ryo ku wa 29 Ruheshi 2012 rishinga ibisabwa mu kuronka urupapuro rw'umutsindo mu kibazo ca Reta,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Itegeko rishinga ibisabwa mu kuronka urupapuro rw'umutsindo mu kibazo ca Reta rihari kuva muri Ruheshi 2012. Muri iki gihe birakenewe ko risubirwamwo.

Iryo tegeko rihari rishinga ko uwutatoye ikibazo ca Reta ashobora gusubira kugikora rimwe mu kiringo kitarenza imyaka itatu ikurikira uwo yakiyobewemwo. Iyi nteguro ije kubihindura kugirango uwakiyobewe agaruke kugikora aho ashakiye hose, na cane cane ko hariho amahera angana n'ibihumbi mirongo itanu atagerezwa kuriha.

Ikindi, ni uko kugirango umunyeshure aronswe urupapuro rw'umutsindo muri ico kibazo ca Reta yategerezwa kuronka n'imiburiburi mirongo itanu kw'ijana hateranijwe amanota yo mw'ishure mu vyigwa bikorwamwo ikibazo ca Reta, n'ayo yaronse mu kibazo ca Reta.

Iyi nteguro ije kubihindura kugirango hafatirwe ku manota umunyehure yaronse mu kibazo ca Reta gusa, kuko vyigaragaje ko hari amashure cane cane y'abikorera ivyabo aca aha amanota menshi abanyeshure kugirango baronke amahirwe yo gushikana mirongo itanu kw'ijana bayateranije n'ayo mu kibazo ca Reta.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro yarayemeje, muvyo yasavye hakaba harimwo kuduza ayo mahera arihwa k'uwuje gusubiramwo ico kibazo ca Reta mu gihe yatevye cane, canke mu gihe aje kugikora kenshi.

5. **Integuro y'itegeko ritunganya bushasha igisata kijejwe guteza imbere ururimi rw'Ikirundi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Igisata kijejwe guteza imbere ururimi rw'Ikirundi cashinzwe n'itegeko n°100/188 ryo kuwa 25 Myandagaro 2014.

Ahanini gihamagariwe gukingira no gukomeza umuco w'Ikirundi, guteza imbere ikoreshwa ry'ururimi rw'Ikirundi mu gihugu no mu mahanga, no gukurikiranira hafi ubushakashatsi be n'ivyo vyose bikorwa ku rurimi rw'Ikirundi.
Hari ibibazo vyinshi vyatumye ico gisata kitaja ku kivi kuva gishizweho.
Nico gituma itegeko n°100/090 ryo ku wa 28 Gitugutu 2020 riringaniza Ubushikiranganji bw'Indero rigishira mu bisata bikukira ubwo bushikiranganji kugirango gitangure gukora.

Ikindi naco, mu kibanza c’urwego nshingwantwaro rwari rutegekanijwe muri iryo tegeko, abu hagiye kujaho Urwego nshingwanyigisho.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira mu duce tumwe tumwe.

6. **Urwandiko rujanye n’ikibazo c’ishirwa mu ngiro ry’amasezerano hagati ya Reta y’Uburundi na TOYOTA BURUNDI yerekeye ikibuga cahoze citwa « AFB »,** yashikirijwe n’Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n’ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Urwo rwandiko rwamenyesha inama nshikiranganji aho ishirwa mu ngiro ry’amasezerano ari hagati ya Reta y’Uburundi n’ishirahamwe TOYOTA BURUNDI ryaguze ikibuga cahora citwa AFB kuva muri Ruhuhuma 2013 rigeze. Nino kuraba icokorwa inyuma yaho iryo shirahamwe TOYOTA BURUNDI rigabishirijwe kubera ritubahirije ivyo ryiyemeje mu masezerano y’ubuguzi, be n’ivyo ryishuye kuri iryo gabishwa.

Nkako vyarabonetse ko kuri iryo gabishwa, hishuye irindi shirahamwe atari TOYOTA BURUNDI yateye igikumu ku masezerano y’ubuguzi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ico kibazo, yasavye ko Ubushikiranganji bubijejwe bwosaba ishirahamwe TOYOTA BURUNDI kwishura kw’ikete ryandikiwe kuko mu masezerano ari ryo rizwi.

Mu gihe ryokwerekana ko ricipfuza gushira mu ngiro ivyo ryiyemeje, hoterwa umukono ku yandi masezerano yiyongera ku ya mbere, ariko agatomora neza ko mu kiringo kitarenga amezi atatu ritegerezwa kuba ryatanguye ibikorwa, ritabikoze izindi ngingo zigafatwa.

7. **Umugambi wo gusanura no kwagura ishirahamwe ririma rikongera rigahingura isukari (SOSUMO) no guhingura ibinyobwa bikaze,** washikirijwe n’umushikiranganji w’Ikigega ca Reta no no gutegekanya imigambi y’iterambere.

Ishirahamwe ririma rikongera rigahingura isukari (SOSUMO) ryashinzwe mu mwaka **w’**1982, ihangiro kukaba kwari ukurima igikaju no kugihinguramwo isukari kugirango abayipfuza bose bayironke ngaha mu gihugu.

Iryo shirahamwe ryari rifise ubushobozi bwo guhingura amatoni ibihumbi mirongo ibiri (20.000) ku mwaka, abantu baba mu Burundi nabo bakaba baharurwa mu miliyoni zitanu ico gihe.
Ubu abantu baharurwa mu miliyoni cumi na zibiri, bakaba badashobora gukwirwa n’isukari ishirahamwe SOSUMO ryimbura.

Uwo mugambi wo kunagura no kwagura SOSUMO no guhingura iyo nzoga usaba kugura ibikoresho bishasha kuko ibindi bishaje cane no kuduza umwimbu gushika ku matoni mirongo itatu n'atanu ku mwaka .

Bisaba uburyo bungana n'amahera y'amarundi imiliyaridi ijana na mirongo itatu na zibiri, imiliyoni ijana na mirongo umunani n'icenda, ibihumbi amajana atanu na mirongo itanu na bitandatu n'amajana atanu na mirongo icenda n'atatu ( 132.189 556 593 Fbu).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, yasanze ushemeye irawushigikira, ariko isaba ko igikorwa co kunagura no kwagura ishirahamwe SOSUMO coba ari co cihutirwa, ico gukora iyo nyobwa naco kibangira.
Abashikiranganji bajejwe ikigega ca Reta, ubudandaji, uburimyi n'ubworozi be n'Ibanki nkuru y'igihugu basabwe kuja hamwe kugirango barabe ingene uwo mugambi woja mu ngiro.

Ku bijanye n'ibikoresho bisaba amahera y'agaciro, boraba bagasaba ingurane hanze y'igihugu, hanyuma ibindi navyo bigakoreshwa ku mahera y'amarundi avuye aha mu gihugu.
Ishirahamwe SOSUMO naryo risabwa gutegura urupapuro rw'inzira rwerekana neza ingene uwo mugambi uzorangurwa.

**8. Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji w'itwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano yarashikirije icegeranyo kijanye n'ingene amatagisi mu makomine yatojwe mu kiringo gahinyuza catunganijwe n'ubushikiranganji.
  Mu makomine cumi y'igeragerezo, amatagisi yatojwe kuva kw'igenekerezo rya 25 gushika ku rya 31 Nzero 2021 yabaye imiliyoni ijana na cumi na zitanu n'ibihumbi mirongo irindwi na bitatu n'amajana atanu na mirongo itanu(115 073 550 Fu) mu gihe ayatojwe kuva kw'igenekerezo rya 18 gushika ku rya 24 Nzero 2021 atarenga imiliyoni mirongo ine n'icenda, ibihumbi amajana indwi na mirongo ibiri na bine n'amajana abiri na mirongo irindwi n'atanu ( 49 724 275 Fbu), ni ukuvuga ko yiyongereye ku rugero rungana ijana na mirongo itatu na rimwe kw'ijana (131%).

  Mu makomine yose y'igihugu, amahara yatojwe mu kwezi kwa Ntwarante 2021 angana na miliyaridi zitatu, imiliyoni amajana abiri na mirongo itandatu n'icenda, ibihumbi amajana abiri na mirongo itandatu n'amajana umunani na cumi n'ane (3 269 260 814 Fbu), mu gihe mu kwezi kwa Ntwarante kw'umwaka w'2020 hari hatojwe ayangana n'umuliyaridi umwe imiliyoni amajana ane na mirongo indwi na zitanu n'ibihumbi amajana icenda na

mirongo umuni na bibiri n'amajana indwi na rimwe(1 475 982 701 Fbu) ni ukuvuga ko yiyongereye ku rugero rw'ijana na mironggo ibiri na rimwe n'ibice bitanu kw'ijana (121,5%).

Inama nshikiranganji yarashimye ico gikorwa caranguwe kuko kizofasha mu gutunganya uburyo bundi bwo kwegeranya amahera atozwa na Komine.
Yaciye isaba ko bobikurikirana neza kugirango ayo mahera yatojwe ntazoce akoreshwa mu bitari bitegekanijwe mu migambi y'iterambere ya komine.
Yasavye kandi ko abashikiranganji bokurikiranira hafi ibikorwa vyega ubushikiranganji bajejwe birangurirwa mu makomine.

- Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira yarashikirije ikibazo kijanye n'ubukene bw'uburyo bwo kugarukira ku bashikiwe n'ivyago.

  Icibonekeza n'uko ihindagurika ry'ibihe rigira ingaruka mbi mu guhungabanya ingene abantu bari basanzwe babayeho.

  Imvura y'isegenya irononа imirima hagaca hatera inzara, imiyaga nayo ikabomora amazu abantu bagata izabo, amashule n'izindi nyubakwa bikabomoka.

  Kubera ikibazo ubushikiranganji bufise ari ukubura ico bwikorako kugirango bugarukire ku bashikiwe n'ivyago nk'ivyo kandi kuburyo bwihuta, urwandiko rwasaba ko Reta yoburonsa ubundi buryo kugirango bugure imfungurwa z'integabizoza bwokwikorako mu kugarukira ku bantu bashikiwe n'ivyo vyago giturumbuka.

  Inama nshikiranganji yabonye ko ibiza mwen'ivyo bigoye kwitegurira ku bijanye n'uburyo, kuko biza giturumbuka.
  Ariko Reta izoraba igishoboka, ifatiye ku mikoro yayo. Ariko mu gihe bibaye ngombwa, irashobora gutera  akamo Abarundi bose, kugirango bagire ico baterereye, bivuye kuri wa mutima basanganywe wo gushigikirana.
  Inama nshikiranganji yaciye yibutsa ko bikenewe ko hakorwa intonde za ba ntahonikora ku mitumba kugirango vyorohe mu gihe Reta hari ico ishaka gufasha.

- Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi yarashikirije urwandiko rujanye n'ibikenewe mu gikorwa co kwegeranya no kugura umwimbu w'ibigori ku benegihugu.
  Urwo rwandiko rurerekana ingene igikorwa co kuvyegeranya kizogenda, ikirangaminsi c'ibikorwa, ibikoresho n'uburyo bukenewe muri ico gikorwa.

Bitegekanijwe ko igurwa ry'ivyo bigori rizotangura kw'igenekerezo rya 12 Ndamukiza 2021, ivyo navyo bigasaba ko ibikoresho bikenewe vyogurwa bitarinze guca muri ya masoko ya Reta kuko biteba cane.

Inama nshikiranganji yasavye ko ico gikorwa umwe wese yokigira rwiwe kugirango iryo gurwa rigende neza nk'uko vyategekanijwe, abarimyi ntibahave bacika inkokora ngo bahave badebukirwa mw'ishaka bafise ryo kugwiza umwimbu.

Bigiriwe i Bujumbura, 08 Ndamukiza 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE

B.P. 2800; Téléphone: 212747; Télécopie: 213545; E-mail: segeta@yahoo.com